Uwubangamira abandi, Imana Allah Iraheza Ikamubangamira; uwuremereje abandi, Imana Allah Iraheza Ikumuremereza

Mu vyakiriwe na Abu Swirma (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwubangamira abandi, Imana Allah Iraheza Ikamubangamira; uwuremereje abandi, Imana Allah Iraheza Ikumuremereza".

[حسن] [رواه أبو داود والترمذي وابن ماجه وأحمد]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yarihanije umwislamu kubangamira umuntu, canke kumuremereza ku kintu ico ari co cose; haba ku bimwega ku gatwe kiwe, canke mu matungo yiwe canke mu biwe; aburira umuntu akora ivyo rero, ko Imana Allah Iheza Ikamuha ibihano bijanye n'ubwoko bw'ivyo yakoze.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/5375